Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Abantu Badakurwa Kw'ijambo


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org





©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.






Umwami Nebukadineza aca yubakisha igishushanyo kinini cane munzahabu. Cari munzahabu kuva k'umutwe gushika kubirenge. Birashoboka ko umwami yoba yari yibagiye indoto Imana yari yamurungikiye yamubwira ko ubwami bwiwe bukayangana nk'inzahabu butazokwamaho. Birashoboka kandi ko yoba yari yiyumvira ko yubatse igishushanyo munzahabu gusa, iryo jambo ry'Imana ritazoshika.






Umwe mubakozi b'umwami aca asomera abantu itegeko rivuga riti: "… Mutegerezwa kwicisha bugufi mukunamira kandi mugasenga iki gishushanyo gikozwe munzahabu… hagize uwanka kucunamira no kugisenga, azoca atererwa mw'itanure y'umuriro."
3
Abantu bose bakora ico umwami yategetse kiretse abagabo batatu. Aba bagabo bari abaheburayo. Bari Shaduraka, Meshaki na Abudinego, abagenzi ba Daniyeli. Biboneka ko muri ico gihe Daniyeli ntibarikumwe, ariko nta nkeka ko nawe nyene yanse gusenga igishushanyo cakozwe n'abantu.
4
Abanyabwenge b'umwami bari bafitiye ishari daniyeli n'abagenzi biwe kuko umwami yarabakunda. Baca baravuga bati: "Hariho abagabo batatu wahaye kuganza intara y'ibabuloni: Shaduraka, Meshaki na Abudinego. Abo bagabo ka mwami, ntibakwumviye. Ntibakoreye imana zawe kandi ntibasenze ca gishushanyo c'inzahabu wacurisha."
5
Umwami Nebukadineza ntiyashaka guhana abo bagabo, ariko yari yategetse ko uwuzorenga kw'itegeko ry'umwami wese azohanwa. Aca arabinginga ngo bahindure uko bumva ibintu. Arababwira ati: "Nimutasenga ico gishushanyo, muca mutwabwa mw'itanure ry'umuriro. Mbega ni iyihe mana yoshobora kubakura mumaboko yanje?"
6
Umwami yakoze ikosa rikomeye cane. Yafashe Imana nya mana ngo ayigerageze. Abo bagabo b'abaheburayo bari bazi ko gusenga ibishusho bitandukanye n'ubugombe bw'Imana. Baca baguma bahagaze. Kuko bari bizeye Imana, ntibatinya umwami.
7
Abo bagabo batatu b'umwete bari bafise inyishu baha umwami. Baramubwiye bati: "Imana yacu, iyo dukorera, irashoboye kudukiza muri iyo tanure y'umuriro. Kandi n'aho itobikora, umenye iki, mwami wacu, ko tutokorera imana zawe kandi ko tutazosenga igishushanyo wakoresheje munzahabu."
8



Umwami Nebukadineza aca arashangashirwa! Aca ategeka ko bongereza umuriro mw'itanure incuro indwi kurusha uko vyahora. Ariko naho nyene abo bagabo babandanya bahakana gufukamira ico gishushanyo no kugisenga.
9


Umwami ategeka abasoda bakomeye kurusha abandi mungabo ziwe ngo zibohe Shaduraka, Meshaki na Abudinego hanyuma
bace babaterera muri iryo tanure ry'umuriro.
10


Iryo tanure ryari rishushe cane gushika aho abantu bari batereye Shaduraka, Meshaki na Abudinego m'umuriro baciye basha cane kubera ubushuhe.
11


Umwami yariko araraba ibiriko biraba abirabira kure akingiwe. Aca abona babagabo batatu batererwa mw'itanure ry'umuriro ariko abona ataribo bonyene.
12


Umwami nebukadineza aratangara cane! Aca abaza abakozi biwe ati: "Mbega harya, mw'itanure ntitwatereyeyo abagabo batatu baboshe?" Nabo baramwishura bati: "Ego."
13


Nawe arababwira ati: "Nimurabe, ndabona abantu bane bataboshe bagendagenda m'umuriro. Ntagikomere na kimwe kibariko. Kandi umuntu agira kane asa n'umwana w'Imana."
14

Umwami yegera umuryango w'itanure ry'umuriro aravuga ati: Shaduraka, Meshaki na Abudinego, bakozi b'Imana isumba vyose, nimusohoke! Shaduraka, Meshaki na Abudinego baca barasohoka bava mw'itanure ry'umuriro.



15

Abantu bari ngaho bose baca baregera kugira ngo bihweze abo baheburayo batatu. Babona umuriro utigeze ubaturira nagatoya. Imishatsi yabo itahiye kandi n'impuzu zabo zitigeze zisha. Ntan'umwotsi wabanukako.



16

Bamaze kubona ibibaye, umwami nebukadineza aca akora ikintu c'ubwenge. Aca arasenga kandi avuga ati: "Hashimwe Imana ya Shaduraka na Meshaki na Abudinego yo yarungitse umumarayika wayo gukiza abakozi bayo b'abizigirwa."



17

Abantu Badakurwa Kw'ijambo

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Daniyeli 3

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

18




33

60

19

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

20